VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

# UBULOZI BWA LEAD MU BANA

Uburozi bwa lead burasinzikaza amagara ariko burashobora no kwirindwa. Uburozi bwa lead ni ubutare bukaze cane bukoreshwa mu bikoresho vyinshi — nko mw'irangi, mu bikoresho vyo gusudira, mu mabeteri, mu vyuma bikoze mu butare bwa brass, muri radiyatere z'imodoka, ndetse no mu bibumbano. Iyo ubu butare bwa lead bubaye bwinshi mu mubiri bushobora gutuma amagara ahora asinzikaye. Ubu burozi bwa lead bushobora kugira ingaruka ku bwonko, amafyigo, no ku mikorere y'ubwonko. Ntarugero ruzwi rw'uburozi bwa lead butagira ingaruka ku magara y'umuntu.

Lead ni uburozi bugira ingaruka mbi ku bana bashobora guhura na bwo mu buryo butandukanye.



## Uburozi bwa Lead buva kw'irangi

Umukungugu uva kw'irangi rishaje ni yo soko y'uburozi bwa lead. Mu mwaka wa 1978, ubu burozi bwarabujijwe mw'irangi risigwa amazu. Amazu yubatswe imbere y'uwo mwaka arimwo ubwo burozi bwa lead. Abana bashobora kwandikirwa n'ubu burozi bwa lead mu gihe co gusanura amazu, guharura irangi rishaje bashaka gusiga irindi, canke igihe irangi ritanguye gushishuka. Ubwo burozi bwa lead bashobora kubuhema mu mpwemu, canke bukabaja mu kanwa.


## Uburozi bwa lead dusanga mw'ivu no mu mazi yo kunywa.

Uburozi bwa lead bushobora kuba mw'ivu kubera utuvunji tw'irangi tuba dushwiragiye hanze y'amazu Kw'ivangwa ry'amarangi na peterori. Uburozi bwa lead bushobora kuja mu mazi yo kunywa mu gihe ayo mazi aca mu miringoti ishaje, canke mu bikoresho vy'amazi canke aho basudiriye.

## Izindi nkomoko z'uburozi bwa lead

Hari izindi nkomoko z'uburozi bwa lead abana bashobora kwanduriramwo

- **Uburozi bwa lead dusanga aho dukorera canke dusanga mu mpuzu z'abavyeyi:** Ahari amazu yubakwa, asanurwa, aho bakorera amamodoka, amabeteri, ibikorwa vyo gukora amazi, gufatanya no gusudira.
- **Uburozi bwa lead dusanga mu nkono no mu masahani:** Inkono zikoze mw'ibumba ry'ubutare hamwe n'izikoze mu vyuma bisudiriye.
- **Uburozi bwa Lead dusanga mu bintu vya kera, no mu bidandazwa biri muguta garanti:** Ibikoresho vyo mu nzu bishaje,ibikoresho vyo kwubaka bishaje n'ibindi naho vyoba bigisa n'ibigikomeye.
- **Uburozi bwa lead dusanga mu bikoresho:** Ibipupe andetse n'imigufu n'imiringa bikorerwa mu bindi bihugu, imbombo ziva hanze (cane cane muri mexique) ivyo kurya vyo mu magopo, ibirungo bivanze (cane cane iyo bivuye mu bindi bihugu), imfunguruzo zikoze mu vyuma, ibikoresho vy'abakobwa vyo kwikora n'ivyo muhira.
- **Uburozi bwa lead dusanga mu bikoresho vy'ubugenegene n'ivyo kwinonora:** amarori asize irangi, ibirato bikoreshwa mu burovyi irangi rikoreshwa mu gucapa.





## Ni gute uburozi bwa lead twobwirinda.

Kingira abana uburozi bwa lead ufata inzu yawe neza, ukubura aho ubwo burozi bwo zanana kandi ugabura imfungurwa zinza

- Karabisha abana intoki imbere yo gufungura n'imbere yo kuryama kandi woze ibipupe abana bakinishije kugira ngo ukureko umukungugu w'ubwo burozi ushobora kuba utaboneka.
- Gushirira ivyo kurya abana ku meza canke ku ntebe ndende zabagenewe.
- Gusanura aho irangi rimaze gusaza. Kubuza abana kwegera ahari gusanurwa gushika biheze.

108 Cherry Street • PO Box 70 • Burlington, VT 05402 • HealthVermont.gov

- Gukoropa ahantu hatose ukoresheje ibikoropesho vyabigenewe, gukoresha utuyungiro tw'umuyaga twa HEPA kandi tudafunguye cane.
- Gukoresha uburyo bwo kwirinda uburozi bwa lead mu gihe co gusanura, n'ibikoresho vyo gusiriba umucanga bibombetse hamwe n'imisena canke imashini zitera imisumari bikoreshwa ku mbaho wabanje kubombeka kugira bidatumuka.
- Kurima imirima y'amashurwe mw'ivu ritarimwo uburozi bwa lead nimiburiburi ku metero zitatu uvuye ku nzu no ku mabarabara.
- Gusiga ibirato mu muryango kugira ngo wirinde kwinjirana ivyondo bishobora kuba birimwo ubu mara bwa lead mu nzu.
- Niwoba ushaka gupima ubumara buva mu butare buri mu mazi yo kunywa i muhira, rondera urutonde rw'amazi bashima ko arekuriwe ko umuntu yoyanywa kuri tinyurl.com/certified-lab.

Ku zindi nsiguro ku vyerekeye uburozi bwa lead, akura kuri 800-439-8550 canke uje kuri healthvermont.gov/lead.